**IBIRO VY'UMUKURU W'IGIHUGU**

**IBIRO VY'UMUYOBOZI MWISHIKIRA W'UMUKURU W'IGIHUGU**

**IBIRO BIJEJWE KUMENYESHA AMAKURU, UGUTUMATUMANAKO N'UBUVUGIZI BW'UMUKURU W'IGIHUGU**

# ITANGAZO Nº 012/2023

Umukuru w'igihugu c'Uburundi, Nyenicubahiro Varisito Ndayishimiye, nk'uko yavyemereye Abarundi, yarashize imbere urugamba rwo kunagura ubutunzi bw'igihugu.

Mur'iyo ntumbero, Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu c'Uburundi araremesha Abarundi bose ko ariko arakurikiranira hafi umugambi wo kugarukira ubutunzi bw'igihugu, na cane cane ingingo zamenyeshejwe n'ibanki nkuru y'igihugu mw'itangazo ryasohotse kw'igenekerezo rya 7 ruheshi 2023.

Kubera ko hariko haribonekeza abantu bashaka kuburabuza ishirwa mu ngiro ry'uwo mugambi, Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu arasubiye kugabisha umuntu wese azokwagirwa no kuwutoba, ko azohanwa hisunzwe amategeko.

Inyuma y'ikiringo catanzwe n'ibanki nkuru, guhera kw'igenekerezo rya 18 ruheshi 2023, hazoba isuzumwa ry'ishirwa mu ngiro y'ingingo zafashwe. Abarongoye amabanki canke amashirahamwe yo kuziganya no kuguranana bazosanga bararenze ku ngingo zafashwe bazohanwa ku giti cabo, n'amabanki barongoye afatirwe ibihano.

Inyuma y'iryo suzumwa, hasabwe ko amafaranga azoba yabikijwe mu kiringo catanzwe n'Ibanki Nkuru arenga ku gitigiri camenyeshejwe, azoca aja mu kigega ca Reta.

Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu c'Uburundi asavye Abarundi bose bakunda igihugu cabo kubandanya bubahiriza izo ngingo kuko zafashwe ku neza rusangi. Abahamagariye kuguma ku kivi, bagwize umwimbu bongere bashigikire uwo mugambi uzotuma igisata c'ubutunzi bw'igihugu kinaguka.

**Bikorewe i Gitega, ku wa 13/06/2023**

**Rosine Guilène GATONI**

**Umukuru w'ibiro akaba n'Umuvugizi**

REPUBLIQUE DU BURUNDI
Bureau Chargé de l'Information, de la Communication et du Porte-Parolat
CABINET DU PRESIDENT

+257 22 900 340

presidence@burundi.gov.bi

@NtareHouse

PresidenceBurundi

http://www.presidence.gov.bi/